# Ifishi igenewe abajejwe guhagarikira ibirori vy'ubukwe biciye mu mategeko

**Imbere y'uko ibirori vy'ubukwe biba:**

_____ Amategeko ya Reta ya Vermont araguha uburenganzira bwo guhagarikira ibirori vy'abashaka kwubakana?

- **Mu gihe uri umucamanza canke uwujejwe ubutungane** , utegerezwa kuba warashikirije indahiro, kandi utegerezwa guhagarikira ibirori vy' ubukwe bwose bibaye muri ico kiringo warahiriye.
- **Mu gihe washinzwe ico gikorwa co guhagarikira ubukwe n'umunyamabanga wa reta nk'uwuhawe kugikora mu buryo bw'igihe gito**, uba wemerewe guhagarikira ubukwe bwanditse kw'ifishi wewe nyene watanze vyegeranyo vyahawe umunyamabanga wa reta. Uburenganzira bwawe bwo guhagarikira ivyo birori vyo gushingira buzorangira ku musi uhuye n'igenekerezo bwasabiweko. Wipfuza kumenya ibindi bijanye no kwiyandikisha kugira wemererwe guhagarikira ibirori vy'ubukwe mu buryo bw'igihe gito, urashobora kuja kuri uru rubuga https://sos.vermont.gov/ canke uhamagare kuri izi nomero 802-828-2363.
- **Mu gihe uri umukozi w'Imana *kandi uba muri Reta ya Vermont***, utegerezwa kuba waratiwe, ubifitiye uruhusha canke waravyemerewe n'ishengero ukomokamwo.
- **Mu gihe uri umukozi w'Imana, *ariko utari umunyagihugu wo muri Reta ya Vermont***, utegerezwa kuba ufise uruhusha rudasanzwe ruvuye muri sentare ijejwe gukurikirana ibikorwa vya Reta n'uburenganzira bw'abanyagihugu mu Reta ya Vermont ikukira intara ivyo birori vy'ubukwe uzohagarikira bizoberamwo, kiretse mu gihe uba muri Reta canke igihugu duhereranye kandi ishengero ukomokamwo, isinagoga, umusigiti, canke ayandi madini asanzwe akorera yose canke igice cayo muri Reta ya Vermont. Wipfuza kumenya ido n'ido ku bijanye n'ivyo, niwiture sentare ijejwe gukurikirana ibikorwa vya Reta n'uburenganzira bw'abanyagihugu.

_____ Aba bantu baremerewe kwubakana hisunzwe amategeko ya Reta ya Vermont?

_____ **Aba *bantu* bompi *barateye igikumu bashirako n'igenekerezo*** 15a-16b ku *rupapuro rutangwa na Reta ya Vermont rutanga uruhusha rukongera rukemeza ko ubukwe bw'abubakana biciye mu mategeko*, kandi amatariki yo kuraganirako ari hagati mu kiringo gishinzwe "KUVA IGENEKEREZO RYA _____ GUSHIKA IGENEKEREZO RYA_____" nkuko vyanditse ku rupapuro ruvyemeza?

**Inyuma y'ubukwe:**

_____ Aha huzuzwa n'umukozi ajejwe guhagarikira ubukwe (18a-g) akoresheje imashini yo kwandika canke nyabwonko hamwe n'irangi **ryirabura ridafudika**.

| UMUKOZI AJEJWE GUHAGARKIRA UBUKWE | |
|---|---|
| Uru ruhusha rutanga uburenganzira bwo kwubakana biciye mu mategeko muri RETA YA VERMONT GUSA ku bantu amazina yabo yavuzwe aha haruguru n'umuntu uwo ariwe wese yahawe uburenganzira bwo guhagarikira ibirori vy'ubukwe. | |
| **18a. NEMEJE KO ABANTU AMAZINA YABO YADONDAGUWE AHA HARUGURU AHO BASHINGIRIWE** (Ukwezi, Igenekerezo, Umwaka) | **18b. BUBAKANYE BICIYE MU MATEGEKO - IGISAGARA CANKE IGISAGARA** |
| **18c. IGIKUMU C'UMUNTU ABASHINGIYE IBIRORI** | **18d. ICO AJEJWE** |
| **18e. IZINA** (Kwandika n'imashini/kwandika na nyabwonko) | **18f. INOMERO YA TEREFONE** |
| **18g. ADERESE Y'IPOSITA Y'UMUNTU AYOBOYE IBIRO VYO GUSHINGIRA** (Inomero hamwe n'ibarabara, umuji canke igisagara, Reta, Agasandugu k'amakete) | |

**18a**. Itari yo gushingirwa (biba vyiza, wanditse izina ry'ukwezi aho kukwandika ukoresheje igitigiri (akarorero. Mukakaro 10, 2021, aho kwandika 7/10/21))

**18b**. Izina ry'igisagara/umuji aho ibirori vyabereye (erekana umuji canke igisagara mu gihe bikorwa)

**18c**. Igikumu cawe

**18e**. Izina ryawe

**18d**. Ico ujejwe (akarorero umukozi ajejwe guhagararira vy'igihe gito ibirori vyo gushingira , Umushikiranganji, Umupadiri, Musenyeri, Umucamanza ajejwe ingorane nto zo mu kibano no gushingira, n'ibindi.)

**18f**. Inomero ya terefone ukunda gukoresha

**18g**. Aderese yawe y'iposita

_____ Mu gihe wiyandikishije ku munyamabanga wa reta nk'umukozi ajejwe gukora vy'igihe gito umurimo wo gushingira, ikopi ya seritifika y'uruhusha rubikwemerera itegerezwa gushirwa ku mugereka w'icemezo giteyeko igikumu hanyuma ikagarukanwa mu biro umwanditsi w'igisagara yayitanze akoreramwo (raba 17c.)

_____ Amategeko ya Vermont asaba ko seritifika yujujwe igarukanwa ku mwanditsi w'igisagara yayitanze **mu gihe c'imisi 10** kugira yandikwe. **Ntuzigere uzinga seritifika. Ntuzigere uha iyo seritifika abageni.**

*Bisubiwemwo muri Gitugutu 20, 2021*